Imana irungika Musa mu Misiri

KUVAYO IKIGABANE CA 3-12

Nimuhitemwo udukorwa duhuye n'ivyo abana banyu bakeneye kandi tubashimisha. Nimutuganirire hamwe uko mugize umuryango.

SOMA KUVAYO IKIGABANE CA 8

Ubukurikira, nimusome *bande dessinée* yigana inkuru yo muri Bibiliya (muyisomere kuri internet canke ku vyo mwacapuye), maze muganire ku bibazo biri ku mpera y'iyo nkuru.

NIMUGERAGEZE IBI: Nimwumvirize igikino co kwumviriza (mu gifaransa) c'iyo nkuru kivuga ngo *" Le nom de Jéhovah doit être proclamé par toute la terre. "* Muramenya ko ico gikino kivuga kandi ibintu vyabaye muzobona muri *bande dessinée* yigana inkuru yo muri Bibiliya ikurikira. Nimuvome ico gikino kuri www.jw.org. Rabe ahavuga ngo PUBLICATIONS> REPRÉSENTATIONS THÉÂTRALES.

UTUNDI DUKORWA TWO GUSOHORA KU MPAPURO



AGAKORWA K'AMASHUSHO

IVYO GUSIGA AMABARA some Kuvayo 7:19; 8:6, 17. Maze musabe abana batoyi bandike amazina y'ivyago bitatu vya mbere vyateye mu Misiri. Mu nyuma, muce mubabwira basige amabara ayo mashusho.

AGAKORWA KO KWIYIGISHA

NI NDE YABIVUZE? Ku bana bakuze: Nimubasabe bahuze amajambo yavuzwe n'izina ry'umuntu yayavuze. Kugira ngo batore inyishu, nimurabe ivyanditswe muri Bibiliya.

TWEGERANYE, MUTWIGE

AGAKARATA K'ABAVUGWA MURI BIBILIYA Nimusome ahanditse ngo Ivyiwe muri make. Nimubaze umwana wanyu ibibazo biri kuri ako gakarata. Mukoresheje udukarata twose tuboneka kuri www.jw.org tw'abavugwa muri Bibiliya, nimufashe umwana wanyu gutora abantu batatu bakoreye Imana bakiri bato. Icomufasha, nimusome ivyanditswe bikurikira: Itanguriro 37:2; 39:2; 1 Samweli 2:21; 16:12, 13; 2 Abami 22:1, 2; Daniyeli 1:3-9; 2 Timoteyo 1:2; 3:15.

Udukorwa dutondetswe aha murashobora kuturonka kuri jw.org. Rabe ahavuga ngo INYIGISHO ZO MURI BIBILIYA > ABANA> IVYOKORWA MU GUSENGA KWO MU MURYANGO.

www.jw.org © 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania